IHIMBAZWA RY'IMYAKA AMAJANA ABIRI NA MIRONGO INE N'IBIRI IHEZE LETA Z'UNZE UBUMWE Z'AMERICA ZIKUKIYE.
IJAMBO RY'UMUSERUKIZI ANNE CASPER
ITALIKI 4 MUKAKARO 2018

Mwiriwe amahoro. Kw'izina ry'abakozi b'ubuserukizi bwa Reta zunze Ubumwe z'Amerika mu Burundi, ndabashimiye ko mwitavye buno butumire kuri uno mugoroba-nkuko baca umugani mu Kirundi-Agafuni kabagara ubumwe ni akarenge.

Birahimbaye kuba turikumwe kuri uno mugoroba duhimbaza imyaka amajana abiri na mirongo ine nibiri Reta zunze Ubumwe z'Amerika zimaze zikukiye.

Kuri uno musi kandi, mboneyeho akaryo ko gukeza Reta y'Uburundi n'Abarundi bahimbaje kuw'Imana uheze itariki imwe Mukakaro, imyaka mirongo itanu n'itandatu iheze bahabuje intahe y'ukwikukira. Vyongeye, ingene ururimi n'imico vy'Ikirundi bitunze bitwibutsa ko Uburundi nk'ihanga bwamyeho kera imbere y'umwaka turiko turahimbaza.

No muri Reta zunze Ubumwe z'Amerika, itariki zine siwo musi twikukiye ariko niwo musi twagaragaje ubwigenge mu rwandiko ruzwi kw'izina rya "Declaration of Independence". Muri urwo rwandiko, abavyeyi baturondereye intahe y'ukwikukira barerekanye igihugu ciza kandi gikomeye bipfuza kurema- aho abantu bose bangana kandi uburenganzira bwo kubaho, kwishira n'ukwizana no kumererwa neza butazogira iherezo.

Abo bavyeyi bacu kandi bari batahuye ko ibidutandukanya bishobora gutuma turyana baca baturaga ingendo itwigisha ko inkomezi z'igihugu cacu izova mu bumwe hamwe no kwakira ubudasa bwacu. Barongeye kandi baradusigira imico n'inzego ntanyeganyezwa zikiducira inzira uno musi.

Igihugu cacu caraciye mu bihe vyo kutumvikana uhereye hagati y'abavyeyi bacu bacubatse, mu ngwano zagiye ziraba no gushika muri kino gihe. Ariko nkuko umwe mu bakuru b'igihugu cacu yitwa Ronald Reagan yabivuze; " ibiduhuza-akahise kacu katunezereza; ivyipfuzo vyacu vyerekeye isi n'igihugu cacu- ivyo vyose birarengeye

ibidutandukanya." Mu Kirundi yari kuba yavuze ko "ivyo dupfana bisumba ivyo dupfa".

Muri ino myaka ibiri iheze mba mu Burundi, naragize amahirwe yo gutemberera intara zose z'igihugu, nkaba naratangajwe cane n'igishika n'akanyamuneza twakiranywe aho twaciye hose. Bimwe mu bintu vyanshitse ku mutima hano muri kino gihugu, ni imanza natumiwemwo, guhera « basaba irembo » kugera «bashike mu rugo ». Urwo rugendo rurafatanya imiryango kandi rwanyeretse ubwiza n'intambamyi ziri mu Burundi.

Kandi narize no kwikorera igiseke!

Numva nisanze cane muri kino gihugu.

Nagira mfate kano kanya nshimikire ku bucuti buri hagati y'ibihugu vyacu. Twipfuza cane ko imigenderanire dufitaniye ibandanya ikomera kandi ko ubuzima bw'Abarundi burushirizaho gutera imbere. Ni muri iyo ntumbero dushigikira imigambi yo kubungabunga amagara y'abantu nko kugwanya Sida na Malaria. Turakorana n'Abarundi b'imyaka yose, bavuye mu mihingo yose y'igihugu mu migambi yo guteza imbere ubutunzi. Turongera kandi tugafata mu mugongo igisata c'indero n'ubumenyi.

Abo mu Buserukizi bwa Reta zunze Ubumwe za America mu Burundi, twarababajwe cane n'umwuzurira uheruka guhitana amazu n'ibintu vy'Abarundi batari bake. Kuri uno mugoroba, ndahimbawe no kubamenyesha ko Reta yacu izoterera amafaranga agera kubihumbi mirongo itanu vy'amahera y'abanyamerika ($50,000) kugira azofashe muvyihutirwa abashikiwe n'ivyo vyago.

Nipfuza kandi gushimira Uburundi ingene bwitanga mu kubumbatira amahoro kw'isi hamwe n'ubukerebutsi ingabo z'Uburundi zerekana muri Somali na Centrafrique mu ntumbero yo gushikira ihangiro rya twese ryo gutsimbataza amahoro mu karere.

Mpejeje kuvuga ibikorwa turangurira hano mu Buserukizi ariko ngira mfate akanya tuyage ivyerekeye ubucuti bwacu burengeye uburi hagati y'ama Reta yacu. Hari abandi banyamerika benshi twokwita « abaserukizi » b'igihugu cacu hano mu Burundi. Harimwo abigisha, abaganga, abagwizatunga, abakorer'Imana, abaserukira amashirahamwe y'igenga hamwe n'abandi-Hari nabo usanga bakorera rimwe vyinshi muri ivyo.

Barakorana n'abarundi mu gukingira ubuzima, kwigisha, kwungurana ubwenge, kuzana amazi meza n'umuyagankuba hamwe no gufasha abantu gusubiza hamwe. Bamwe bamwe bavuga Ikirundi neza nk'Abarundi. Abo banyamerika barasangira ubwiza bw'America n'abarundi kandi bari mu bakomeza ubucuti bwacu.

Mu myamya mwiza namaranye n'abarundi, narize ko ukwizerana gukomeye cane kandi ko ukwinubana kwagize uruhara rukomeye kandi rubi muri kino gihugu.

Nikwo kwatumye haba ibihe bihahamura imiryango, kurongereza kandi indyane, kuzirana, kutihanganirana hamwe n'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu. Ibi navyo bikaba vyazanye icuka c'uko hategerezwa kuba uwutsinda n'uwutsindwa mu bisata vya politique n'ubutunzi.

Mugihe ukwizerana kwokomera vyozana icizere hagati y'abarundi n'ababaserukira. Twarakiranye urweze ingingo ya President Nkurunziza yo kutazosubira kwitoza muri 2020. Bikaba ari akaryo ko gukomeza kwa kwizerana mubanyepolitike na demokarasi.

Igihe nashika mu Burundi mu mwaka w'2016, abarundi barampanuye kwihangana ngo « buke buke bukomeza umusiba ku mugezi » ngo mu Burundi ibintu birafata umwanya. Ariko ubu ibintu biriko biranyaruka uko twegereza amatora ya 2020.

Amatora ahantu hose ni ihiganwa. Ariko mu Burundi ikurakuranwa ku butegetsi kenshi ryamye rirangwa n'ubwoba n'imishamirano. Ivyo navyo bikaba vyongerejwe n'abanyepolitique- abo muri Reta canke abatavuga rumwe nayo- bahimiriza abarundi gushimangira kubibatandukanya n'ibibatera ubwoba aho kubereka kazoza keza k'igihugu.

Abarundi benshi cane cane bakiri bato barambwiye ko bipfuza ko imaka iri imbere yoba itandukanye n'iyindi. Abakiri bato nibo benshi mu barundi kandi niko kazoza k'igihugu. Ubu bafise amashure kandi bakaba bamenyereye gukoresha ubuhinga bwa none gusumba benshi muri twebwe nibo kazoza gakomeye bwa kino gihugu.Ivyipfuzo vyo kuronka akazi keza canke gukora imigambi yabo vyarongerekanye ariko akaryo ko kubishitsa kakaba ari gato.

Mu ntumbero yogufashanya hagati y'abarundi n'abanyamerika, Reta zunze Ubumwe z'Amerika irageraageza guha akaryo abarundi bari musi y'imyaka mirongo itatu n'itanu biciye mu migambi isanze ihari hamwe n'iyindi izoza igenewe urwo rwaruka gusa. Muri yo migambi harimwo iyo gukiza ihahamuka, gusubiza hamwe, gutanguza imigambi mishasha, kwiga icongereza, no gushikiriza amakuru ajanye n'ubutunzi. Kubera urwaruka rufise akamaro kanini, twizera ko Reta nabo batavuga

rumwe bazogumana ku mutima ivyipfuzo vy'urwaruka mu nteguro za politike kugira bategure kazoza keza k'igihugu.

Abo mu gisata kitegamiye reta, amashirahamwe y'igenga n'abamenyeshamakuru barabifise uruhara runini mugutegurira urwaruka ikibanza ciza c'iterambere n'ubwigenge. Nkuko babivuga neza mu kirundi : 'Aho uburundi butunze urutoke, hubakwa inzu »